

# Ihinduka ry'indinganizo mw'iyandikwa

## Ibimenyeshejwe imiryango

## Kuki mwohitamwo amashure ya Reta?

Amashure ya reta i NSW aha abana bose indero mpuzamakungu, itegurira abana b'ubu kuroranirwa n'ukuzokwubaka ibibâno vy'iteka murí kazôzá. Hisunzwe ibitangwa mu ndero rusangi vy'akanovera karuhariwe kandi ntangere mu Bushakashatsi, Ubuhinga, Inyubakwa, Ibiharuro, Indimi, Inonoramubiri n'ibindi, amashure yacu ya reta atandukanye kandi atarobanura ashigikira ubutore bw'umunyeshure wese.

## Indinganizo y'Ukwiyandikisha ni iki?

Indinganizo y'ukwiyandikisha ifasha amashure gushika ku vyo yiyemeje hisunzwe Amasezerano Agenga Indero (Education Act 1990), ku buryó abana bose biga kw'ishure rya reta ribegereye. Iyo ndinganizo inamenyesha abakozi n'ikibano ukwiyandikisha mu mashure ya reta i NSW.

## Ni kukí iyi ndinganizo iríko irahindurwa?

Igisáta c'Indero i NSW carahanuje abafasha mu ndero, imigwi y'ikibano n'amashirahamwe ndongozi mu mashure ku ndinganizo y'ukwiyandikisha yariho. Twamenyeshejwe ibidasanzwe ku kamaro ko gukuraho inzítizi zigōrá imiryango mu kwiyandikisha mu mashure ya reta i NSW. Inó ndinganizo yasúbiwemwó itorera umutí izo nzítizi, kandi yisunga umwitwarariko w'ico gisata wo gutsimbataza no gushígikira indero idakumîra; ishikîra bose.

## Amahindagurika ni ayahe?

Amahindagurika akurikira azoba yerekeye ukwiyandikisha mu Gicé ca 1 mu 2025.

### Ababa mu gihugu mu gihe gito

Abanyeshure bafise uruhusha rw'ukuba mu gihugu igihe gito ubu bazokwandikwa mu mashure yegereye aho baba.

Amafaranga y'ukwiyandikisha azokurwaho ku bafise uruhusha rw'ukuba mu gihugu rwitwa Ugukehanirwa mu Buhinga (umugwi 482), ni ukuvúga, ababa hanze ya Sydney n'i Wollongong.

### Ingingo nshasha kw'iyandikirwa kure

Amashure ya reta i NSW arafíse ibibanza vyo hafi vyo kwiyandikishirizamwo. Ibibanza bigenewe ico bitomorwa n'igisáta. Ayo mashure yitwararika ko haboneka ibibanza bikwiye vy'abanyeshure mu turere babamwó. Wokwandikisha umwana wawe kure y'aho uba nk'ukwiyandikishiriza kure', mu gihe ibibanza biriho.

Ingingo nshasha zishira imbere ukwiyandikishiriza kure kw'abavukanyi b'abanyeshure basanzwe biga, canecane abavukanyi b'abanditswe mu mashure yo gushigikirwa mu mashure avyemerewe.

Kubwo izi ngingo zasubiwemwo, amashure ubu yokwisunga n'iyandikirwa kure ku bana b'abakozi b'ishure.

## Ibibázo Bikunda Kubázwa

### Ayo mahinduka akora ku mwana wanje?

Aya mahindagurika mu mashure ya reta i NSW arakwerekeye mu gihe:

- umwana wawe afise imyaka yo kwiga afise viza yo kutaba mu gihugu igihe kinini.
- umwana wawe afise imyaka yo kwiga kandi afise umuvukanyi yanditswe mu rindi shure rya reta i NSW kandi ukaba ushaka ko biga kw'ishure rimwe. Ukwakirwa kw'umwana wawe gufatira ku bushobozi bwiwe n'ibisabwa ngo acagurwe.
- urí umukózi mw'ishure rya reta i NSW ubá kure y'aho umwana wawe yanditswe. Ubushobozi bw'ishure bwo kukwakira ukwandikwa kw'umwana wawe kwisunga ubushobozi bwiwe n'ibisabwa mu gutorwa.

### Mbega ishure ryose rizosabwa gukurikiza ayo mahindagurika?

Amashure yohindura kubwo abanyeshure abanyeshure bafise viza z'igihe gito.

Amashure menshi, hisunzwe ubushobozi, yoshira mu ngiro aya mahindagurika y'iyandikirwa kure ku banyeshure b'Igice ca 1 mu 2025.

Amahindagurwa y'ingingo zerekeye iyandikwa ku banyeshure bahawe indaro n'abanyeshure ba kure ntazoteza ingáruká ku gutorwa mu bisata vy'ivyigwa bidasanzwe. Amashure afise ibisabwa mu kuyîgakó, amashure y'Intumbero zidasanzwe, (schools for specific purposes (SSPs)), amashure atunganya ivyigwa ngurukanabumenyi, n'amashure afise amasomero n'integuro karuhariwe (nk'ayo amahirwe, inkino karuhariwe kandi/hamwe n'utugénegéne) azobandanya kwandika.

Amashure agenewe igitsina kimwe ashitsa ayo mahindagurika igihe cose uwandikwa akwije ibisabwa n'ishure vy'ico gitsina. Vugana n'ishure ribereye ubaze uko ayo mahindurwa agenzwa.

### Asangwa umwana wanje avukana n'uwusanzwe yaranditswe, mbega ugusaba kwiga kure kwiwe ngo bigane kuzoca kwemerwa?

Ayo mahindagurika ntiyemeza ko umwana wawe azoca yiga hamwe n'uwo bavukana kuri iryo sure rya kure. Amashure azoshira imbere ukwandikwa kure ku bavukanyi b'abanyeshure baja baranditswe aho bishoboka, ariko ukwemerwa kw'ugusaba gufatira ku bushobozi bw'ishure. Vugana n'ishure nyaryo umenye vyinshi.

### Mbega ivyo bisobanura abavukanyi b'abana bazokwemerwa nk'abanditswe kure gusa kuva ubu?

Oya, ushobora gusaba kwandikisha umwana wawe kw'ishure ryose rya reta asangwa uwo mwana ageze gutangura ishure, kandi ryomwakira. Amashure ategerezwa gushira imbere ugusaba hisunzwe ihinyanyurwa ry'ingingo zerekeye ukwandikirwa kure (harimwó ibisábwa vyerekeye ukumérerwa neza), vyisunga abanditswe n'abana b'abakozi b'ishure.

### Mbega ukwiyandikisha kure kw'abana b'abakozi b'ishure kuzoca kwemerwa?

Oya. Amashure azoshira imbere ukwiyandikisha kure ku bavukanyi b'abanyeshure basanzwe banditswe, máze hiyumvirwe iyandikwa kure ry'abana b'abakozi b'ishure. Urí umukózi w'ishure, ukwakirwa kw'umwana wawe gushingira ku bushobozi bw'ishure. Ingingo zasubiwemwo ntizizobuza umwana wawe kwandikwa kw'ishure rimwegereye.

## Ukwandikwa kw'Abanyeshure bafise viza yo kuba mu gihugu igihe gito

**Umwana wanje afise uruhusha rwo kuba mu gihugu igihe gito. Mperutse gusaba kumwandikisha ahamwegereye sinemererwa. None nosubira gusaba iyandikwa ryiwe kandi?**

Urashobora gusubira gusaba kwandikwa igihe umwana wawe afise viza y'igihe gito kandi ukumusabira ishure rimwegereye kukaba kutemewe. Kurikiza zíno ntambuko zidondowe mu gace kitwa "Nohindura gúte aho nandikishije umwana mu 2025?"

**Umwana wanje afise viza y'igihe gito kandi naramwandikishije ku rindi shure mu 2025. Nohindura aho nari nandiki-shije umwana wanje?**

Umwana wawe afíse viza y'igihe gito kandi akaba yaranditswe mu 2025, ushobora gusaba guhindura aho yanditswe ubu. Kurikiza zíno ntambuko zidondowe mu gace kitwa "Nohindura gúte aho nandikishije umwana mu 2025?"

**Nohindura gúte aho nandikishije umwana mu 2025?**

Abavyeyi n'abafasha b'abanyeshure bafise viza y'igihe gito bokurikiza zíno ntambuko mu guhindura bakiyandikisha ahabegereye.

1. Vugana n'umugwi w'Integuro y'Abamara Igihe gito ku Mvugirakure kuri 1300 300 229 (amahitamwo1) canke n'ikete-murávyo tempvisa@det.nsw.edu.au usábira umwana wawe ihindurwa ry'ishure. Uzomenyeshwa n'uwo mugwi uguhindurirwa ishure kwashobotse.
2. Vugana n'ishure rikwegereye wandikishe umwana wawe. Iryo shure rizoguha urwandiko uzokwuzuza mu kwiyandikisha. Rondera iryo shure kurí: education.nsw.gov.au/find-a-public-school

**Umwana wanje afise uruhusha rw'igihe gito rutari mu mugwi wa viza 482. Noriha amahera yo kwandikwa?**

Amahera yo kwiyandikisha n'ayo ishure mw'ishure rya reta ku bafise uruhusha rw'igihe gito aharurwa hisunzwe urwego rwa viza umunyeshure afise. Mu kumenya ivyo amahera asabwá hisunzwe urwego rwa viza yawe, ronderera ku rubuga ngurukanabumenyi rwa DE International: deinternational.nsw.edu.au/study-options/study-programs/temporary-residents. Utaramenya ko ukutárihîshwa bikwerekeye, vugana n'umugwi w'Abafise Igihe Gito kuri: tempvisa@det.nsw.edu.au

## Ukwandikwa kw'abavukanyi batari hafi

**Narasavye kwandika umwana kw'ishure abavukanyi biwe bigako ariko ntivyemewe. Nosubira gusaba iyandikwa ry'umwana wanje?**

Warasavye kwandikisha umwana wawe kw'ishure rya kure abavukanyi biwe bigako ntiwemererwe, ongera usabé ukúrikije zíno ntambuko mu gace kitwa "Nohindura gúte aho nandikishije umwana mu 2025?"

**Narandikishije umwana mw'ishure mu 2025, aríko umuvukanyi wiwe yanditswe ku rindi shure ryakure. Nosaba guhindurirwa aho banditswe?**

Ukéneye guhindura ishure umwana wawe yanditswemwo mu 2025 ngo yige kw'ishure rimwe n'iryo umuvukanyi wiwe, kurikiza zíno ntambuko zidondowe mu gace kitwa "Nohindura gúte aho nandikishije umwana mu 2025?"

**Ni gute nohindura aho nari narandikishije umwana wanje mu 2025?**

Abavyeyi bakeneye kwandikisha umwana wabo mw'ishure rya kure umuvukanyi wiwe yigako bokurikiza zino ntambuko mu guhindura iyandikwa:

### Ukwandikirwa ku ngurukanabumenyi

1. Ja ku rubúga rw'ishure rikwegereye kwiyandikisha, ufyonde kuri 'enrolment' [kwiyandikisha] mu mahitamwo ariho.
2. Ku rupapuro-murávyo rw'iyandikwa, mūnsí y'ahanditswe kwiyandikisha, fyōnda ku muhora ngurukanabumenyi w'iyandikwa
3. Wâtânze ugusaba kwandikwa kwawe, ishure rishobora kukwishura, ukavyemera mu misi 14.
4. Iyandikwa ryawe ryemewe, vugana n'ishure umwana wawe yahora yanditsweko mu 2025 ufute iryo yandikwa.

### Inzandiko z'Ukwiyandikisha

1. Vugana n'ishure umuvukanyi w'umwana yigako ubaze ko bokwakirira umwana.
2. Isure rikwakiriye umwana, uzuza urwandiko rushasha rw'ukwiyandikisha, ishure ryoguha.
3. Watanze urupapuro rw'ukiwyandikisha, ishure rishobora kukwemerera, nawe ukavyemeza mu misi 14.
4. Ugusaba kwawe kwemewe, vugana n'ishure umwana wawe yari yaranditsweko mu 2025 ufutishe iryo yandikwa.

**Naratanze Icemezo c'Icipfuzo (Expression of Interest (EOI)) kubwo imyaka 6 canke 7 mu 2025. Nohindura aho nari nandikishirije umwana wanje?**

Urwo rwandiko EOI ku bana b'imyaka 6 n'7 rwarahagaritswe, rero abavyeyi n'abarezi nta mahiduka boba bagikora ku rutonde rwo guhitamwo ishure mu 2025.

Usangwa ukéneye guhindura ishure wari warandikishijeko umwana mu 2025 ngo yimurirwe kw'ishure rya kure umuvukanyi wiwe yigako, kurikiza zino ntambuko:

### Ukwiyandikisha ku ngurukanabumenyi

1. Ja ku rubúga rw'ishure wipfuza gusaba kwiyandikishako, maze ufyonde ahanditse kwiyandikisha 'enrolment' mu kadirisha
2. Ku rupapuro-murávyo rwo kwandikwa, ku tujambo 'how to enrol' ukwandikwa, fyonda ku kiraro co gusaba kwandikwa.
3. Wamaze gusaba kwiyandikisha, ishure rishobora kukumenyesha icemezo uhitamwo kwemeza mu misi 14.
4. Ugusaba kwawe kwemewe, vugana n'ishure umwna wawe yahora yigako ufutishe ukwo kwandikwa.

### Inzandiko zūzúzwa mu gusaba

1. Vugana ku mvugirakure n'amashure yegereye aho umwana wawe abá, umenyé ko bokwakira umwana wawe: [education.nsw.gov.au/find-a-public-school](education.nsw.gov.au/find-a-public-school).
2. Usangwa iryo shure ryokwakira umwana wawe, uzuza urwandiko rushasha rwo kwoyandikisha rutangwa n'iryo shure.
3. Watanze rwa rwandiko rw'ugusaba, ishure rishobora kukwemerera, nawe ukavyemeza mu misi 14, canke vubá cane hashobóka.
4. Ugusaba kwawe kwemewe ukaba wemeye ukwakirwa canke EOI wahawe, uce uvugana n'ishure mu mwanya muto ushoboka ufutishe iryo yankiwa rya kera.

## Iyandikwa ry'abana baba kure y'ishure

**Narasavye kwandikisha umwana wanje kw'ishure nkorerako, aríko ugusabirwa kwiwe kwarahakanywe. Mbega nosubira kwuzuza urwandiko rwo kumusabira?**

Ni wabá warasavye kwandikisha umwana wawe kw'ishure ukorerako maze ukwo gusaba ntikwemerwe, urashobora gusúbira gusaba. Mu kubikora, ca ku ntambuko ziri haruguru munsi ya "Nohindura gute aho nandikishije umwana wanje mu 2025?".

### Ni hêhé nōkūrá ayandi makurú?

**Ukeneye ibisábwa mu kwiyandikisha, vugana n'ishure wipfuza. Inomero zayo kuri: [education.nsw.gov.au/find-a-public-school](education.nsw.gov.au/find-a-public-school)**

**Ukeneye ayandi makuru mu kwiyandikisha mw'ishure rya Reta i NSW: [education.nsw.gov.au/enrolment](education.nsw.gov.au/enrolment)**

**Rondera Ayandi makuru yerekeye kwiyandikisha mw'ishure rya Reta i NSW nk'Uwuhabaye mu Kiringo Kigufi: [https://www.deinternational.nsw.edu.au/](https://www.deinternational.nsw.edu.au/)**

**Kubwo ibisabwa mu kwiyandikisha murí rusangi, vugana n'ibiro bikuru vy'Igisata c'indero: 1300 679 332**

**Ubufasha bw'umusobanuzi ku Mvugirakure**

Ukéneye umusóbānuzi agufasha kuvúgana n'ishure canke Igisáta c'Indero, hamagara ufashwe ku nomero 13 14 50 usabé uwugusobanurira mu rurimi rwāwe. Bwira umuhinga inomero ugomba guhamagarako maze umuhinga azokuronderera umusóbānuzi. Ntuzorihishwa kubera ubwo bufasha.